# Bantu! Enda nimuntege amatwi mwumve, mbega burya ntibizoshika ko umuntu ashikirwa n'inyigisho yakiriwe ivuye kuri jewe, yiyicariye ku nyegamo yiwe agashoka avuga ati: "Ico dukwiye kwisunga twebwe na mwebwe, ni Igitabu c'Imana Allah

Mu vyakiriwe na Al-Miqdaadi mwene Ma'diikarib (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Bantu! Enda nimuntege amatwi mwumve, mbega burya ntibizoshika ko umuntu ashikirwa n'inyigisho yakiriwe ivuye kuri jewe, yiyicariye ku nyegamo yiwe agashoka avuga ati: "Ico dukwiye kwisunga twebwe na mwebwe, ni Igitabu c'Imana Allah, turamutse dusanze muri co ingingo z'ibirekuwe tuzobikora; turamutse naho dusanzemwo ingingo z'ibizira, tuzobizirirriza". Burya rero mu vy'ukuri, ivyaziririjwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ni nk'ivyaziririjwe n'Imana Allah".

[صحيح] [رواه أبو داود والترمذي وابن ماجه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaramenyesheje ko mu vy'ukuri hagiye gushika ibihe, hazoboneka abantu baja ng'aho bakiyicarira, aho uzosanga umwe muri bo yiyicarira ku nyegamo, maze yashikirwa n'inyigisho yakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), akavuga n'agasuzuguro n'akantu ngo icodukiranura twebwe namwe mu vyo tutumvikanyeko, ni Qor'ani ntagatifu gusa, kandi ibirimwo birakwiye kuba vyodukiranura, hagize ingingo dusangamwo rero y'ikirekuwe tuyubahirize maze tugikore, hagize naho ingingo y'ikizira dusangamwo duheze tucamirire kure mu kutagikora. Hanyuma Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarerekanye kandi ko mu vy'ukuri, ikintu ico ari co cose yaziririje canke akakibuza mu migenzo n'inyigisho vyiwe, kiba gifise uburemere bw'ingingo nk'iyicazirirrijwe n'Imana Allah mu Gitabu cayo ca Qor'ani; kuko Umuvugishwamana ari we ashikiriza ubutumwa buvuye ku Mana yiwe Rurema Allah.